# AMAZINA Y'IMANA

| IZINA RY'IMANA | INSIGURO YARYO |
|---|---|
| الله<br>ALLAAHU | **Nyenugusengwa n'ibiremwa**: *Ni Yo Ikwiye kwitwa Imana Isengwa na bose, Yubahwa Ikunamirwa, Ikubamirwa. Ni Yo Ikwiye ibikorwa vyose vyo kwiyegerezwa mu gusenga.* |
| 1<br>الرحمن<br>ARRAHMAANU | **Nyenimpuhwe**: *Iryo zina ryerekana ubwinshi bw'impuhwe z'Imana Allah zikwiriye ibiremwa vyose. Ni izina ryega Imana Allah Yonyene. Ntibirekuwe kuritazira canke kuryita ikitari Imana Allah.* |
| 2<br>الرحيم<br>ARRAHIIMU | **Nyenimbabazi ku batoni bayo**: *Ni Yo Irangwa n'impuhwe n'imbabazi ku bemeramana kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Yarabarongoye mu nzira itomoye yo kuyisenga bakiri kw'isi, ni na Yo Izobatera iteka mu buzima bw'inyuma yo gupfa mu kubashira mu Bwami bw'ijuru.* |
| 3<br>العفو<br>AL'AFUWWU | **Nyenuguhariribicumuro**: *Imana Allah ni Yo Ihanagura ibicumuro no kuvyirengagiza, ntiheze ngo Ibihanire umuntu yari akwiye ibihano.* |
| 4<br>الغفور<br>AL- GHAFUURU | **Nyenimbabazi-ntangere**: *Ni Yo Igumiriza ibanga umunyavyaha, ntimumaramaze ntinamuhanire ivyaha yakoze.* |
| 5<br>الغفار<br>AL-GHAFFAARU | **Nyenimbabazinyinshi**: *Ni izina ryerekana ubwinshi bw'ikigongwe c'Imana Allah ku muja wayo acumura agaheza agasaba imbabazi.* |
| 6<br>الرؤوف<br>ARRA-UUFU | **Nyenikigongwe**: *Iri zina ryerekana ubwitonzi n'impuhwe nta ngere. Ubwo bwitonzi n'impuhwe ni ku biremwa vyose kw'isi no kuri bamwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Abo na bo ni abatoni b'Imana Allah bayemera.* |
| 7<br>الحليم<br>AL-HALIIMU | **Nyenubwitonzi-ntangere**: *Ni Imana Allah Itihutira guhana abaja bayo n'aho Ibifitiye ububasha. Ahubwo Iraheza Ikirengagiza Ikabagirira ikigongwe iyo bagisavye.* |
| 8<br>التواب<br>AT-TAWWAABU | **Nyenukwumvirabigaya**: *Imana Allah ni Yo Ishoboza abaja bayo ukwigaya, maze Ikabakirira ukwigaya kwabo.* |

| | |
|---|---|
| **9**<br>**الستير**<br>**AS-SITTIIRU** | **Nyenibanga**: *Ni Yo Igumiriza ibanga umuja wayo. Ntimumaramaza imbere y'ibiremwa vyayo. Ni na Yo Ikunda ko umuja wayo yigumiriza ibanga akarigumiriza n'abandi, akongera akikwiza mu guhisha ubwambure bwiwe.* |
| **10**<br>**الغني**<br>**AL- GHANIYYU** | **Uwikenuye**: *Ni Yo Itigera Ikenera n'umwe mu biremwa vyayo kuko yikwije muri vyose, no mu mateka yayo. Ibiremwa vyose birayikeneye ku nema zayo, biranakeneye n'imfashanyo zayo.* |
| **11**<br>**الكريم**<br>**AL-KARIIMU** | **Mugiraneza**: *Ni Yo Nyenivyiza n'impano nyinshi, Iha ico Ishatse uwo Ishatse mu buryo Ishatse, uwuyisavye n'uwutayisavye. Iraharira ibicumuro Ikanabikira ibanga mu guhishirira utunenge tw'ibiremwa.* |
| **12**<br>**الأكرم**<br>**AL-AKRAMU** | **Mugiraneza-ntangere**: *Ni Yo Itanga bikwiye Idahesha. Nta We bisa bisana mu gutanga. Ivyiza vyose bikomoka kuri Yo. Ihemba abayemera ku butore bwayo, Igatenyenya ku bayirengagiza, Ikazobaharurira mu butungane bwayo.* |
| **13**<br>**الوهاب**<br>**AL-WAHHAABU** | **Bigaburo**: *Ni Yo Itanga ingabire nyinshi Ititeze gusubirizwa mu ndumane. Itanga ata co Ibanje gusaba. Itanga inema zayo Itarinze gusabwa.* |
| **14**<br>**الجواد**<br>**AL-JAWWAADU** | **Muhanyi**: *Itanga vyinshi mu ngabirano ku biremwa vyayo, Igaha mu nema zayo abemeramana vyinshi gusumba.* |
| **15**<br>**الودود**<br>**AL-WADUUDU** | **Nyenurukundo-ntangere**: *Irakunda abatoni bayo. Irabikundwakazako mu kubagirira ikigongwe n'ukubaha inema, gutyo Ikabashima, Ikanabakirira ibikorwa vyabo, Ikanabaha kwemerwa no gukundwa kw'isi.* |
| **16**<br>**المعطي**<br>**AL-MU'TWII** | **Nyenugutanga**: *Iha uwishatse mu biremwa vyayo, Imuha ivyo Ishatse bivuye mu bigega vyayo. Abatoni bayo bafise umugabane munini mu vyo Itanga. Ni Yo Yahaye ikintu cose indemo yaco n'ishusho yaco.* |
| **17**<br>**الواسع**<br>**AL-WAASI'U** | **Nyeningabirano-ntangere**: *Ni Yo Irangwa n'amatazirano menshi. Nta n'umwe yoshobora kudondagura ihayagizwa ryayo. Ifise icubahiro n'ubutware nta ngere. Irangwa n'imbabazi n'impuhwe nta ngere. Ifise impano n'ubugwaneza nta ngere.* |

| | |
|---|---|
| 18<br>المحسن<br>**AL-MUHSINU** | **Nyenubugwaneza**: *Irangwa n'ubwiza buyibereye ku kuntu Iteye, mu mazina n'amatazirano yayo, no mu bikorwa vyayo. Yaratunganije ikintu cose mu kugiha indemo ikibereye, Irangwa n'ubugwaneza ku biremwa vyayo.* |
| 19<br>الرازق<br>**ARRAAZIQU** | **Mubeshaho**: *Ni Yo Ibeshaho ibiremwa vyose. Yagenye ikibibeshaho imbere yuko Ibirema, Yiyemeza kuronsa kimwe cose ico cagenewe n'aho vyoba inyuma y'igihe kirekire.* |
| 20<br>الرزاق<br>**ARRAZZAAQU** | **Rutunga**: *Ni Yo Ibeshejeho ibiremwa vyose mu buryo butagira igitigiri; Ibironsa ikibibeshaho bitabanje kuyisaba; ahubwo Ibibeshaho n'aho vyoba ibigaba, bitayigamburukira.* |
| 21<br>اللطيف<br>**ALLATWIIFU** | **Rumenyi-Rudahishwa:** *Ni Yo Izi neza utuntu twose dutoduto cane ku buryo ata kiyihisha. Ihereza abaja bayo ivyiza n'ibintu vy'ingirakamaro biciye mu nzira batari biteze.* |
| 22<br>الخبير<br>**AL-KHABIIRU** | **Muhetuziwavyose:** *Ubumenyi bwayo bukikuje ibintu vyose, ibiboneka n'ibitaboneka.* |
| 23<br>الفتاح<br>**AL-FATTAAHU** | **Mugomozi**: *Ni Yo Irekura ico Ishatse mu bigega vy'ubwami bwayo, impuhwe n'ibitunga ibiremwa vyayo mu buryo no mu ntumbero Yategekanije ku bumenyi bwayo.* |
| 24<br>العليم<br>**AL'ALIIMU** | **Nyenubumenyikurivyose**: *Ubumenyi bwayo buhetura ibintu vyose, ibiboneka n'ibitaboneka, ibibera ku mugaragaro n'ibibera mw'ibanga, kahise, kubu na kazoza. Nta na kimwe kitazwi mu bumenyi bwayo.* |
| 25<br>البر<br>**AL-BARRU** | **Mugiranezamurivyose**: *Ingabirano zayo ku biremwa vyose ntizigira iherezo. Nta wushobora guharura inema zayo ku biremwa. Iratanga ku buryo ata n'umwe ashobora guharura inema zayo. Ni Imvugakuri mu gushitsa isezerano ryayo. Irirengagiza ibicumuro vy'umuja wayo, Igatako Ikamutabara, Ikamukingira. Iranamwakirira bike maze Ikabigwiza.* |
| 26<br>الحكيم<br>**AL-HAKIIMU** | **Intungane mu vyo Ikora**: *Ishira ikintu cose mu kibanza caco. Nta kanenge canke kwihenda kubaho mw'ishira mu ngiro ry'ivyo Itegekanya.* |

| | |
|---|---|
| **27**<br>**الحكم**<br>**AL-HAKAMU** | **Nyeningingo**: *Ni Yo Itunganiriza ibiremwa vyayo mu butungane. Ntiyigera Irenganya umuntu n'umwe. Ni na Yo Yamanuye Igitabu cayo cenintsinzi kugira gitunganirize abantu.* |
| **28**<br>**الشاكر**<br>**ASSHAAKIRU** | **Nyenugushima**: *Irashima uwuyumvira Ikamuhayagiza. Irahembera igikorwa n'aho coba gito. Yakira ishimwa ry'inema mu kuzongereza zikagwira kw'isi, no gutanga indishi ku musi w'umuhero.* |
| **29**<br>**الشكور**<br>**ASSHAKUURU** | **Nyenindishi**: *Ireza ibikorwa bike vy'abaja, Ikanabagwiriza indishi yavyo incuro nyinshi. Ishima ry'Imana Allah ku muja, ni ukumuhembera ko yayishimiye no kumwakirira igamburuka ryiwe.* |
| **30**<br>**الجميل**<br>**AL-JAMIILU** | **Nyamwiza**: *Ni Yo Irangwa n'ubwiza butagira akarorero ku kuntu Iteye, mu mazina, amatazirano n'ibikorwa vyayo. Ubwiza bwose bw'ibiremwa vyayo bukomoka kuri Yo, Nyenubweranda.* |
| **31**<br>**المجيد**<br>**AL-MAJIIDU** | **Nyeniteka**: *Ni Yo Ikwiye kwigamba, iteka, intsinzi n'icubahiro gisumba vyose mu majuru no kw'isi.* |
| **32**<br>**الولي**<br>**AL-WALIYYU** | **Muhagarikizi-Rutunganya**: *Ni Yo Ihagararira ivyega ibiremwa vyayo no gutunganya ubuzima bwavyo. Ni na Yo Mutabazi Irwanako abatoni bayo.* |
| **33**<br>**الحميد**<br>**AL-HAMIIDU** | **Nyenugushimwa**: *Ni Yo Ishimwa ku mazina, amatazirano n'ibikorwa vyayo. Ni na Yo Ishimagizwa mu mahirwe no mu magorwa, igihe c'umubabaro n'umunezero. Ni Yo Ikwiye gushimwa no guhayagizwa mu buryo bwose bubaho kuko Irikwije muri vyose.* |
| **34**<br>**المولى**<br>**AL-MAWLAA** | **Nkinzoyabatoni**: *Ni Yo Rurema, Umwami, Umutabazi n'Umufasha w'abatoni bayo.* |
| **35**<br>**النصير**<br>**AN-NASWIIR** | **Muterangoga (Mutabazi):** *Ni Yo Ishigikira Igatabara uwo Ishaka. Nta wushobora gutsinda uwutabawe na Yo, vyongeye nta wushobora gutabara uwakuweko amaboko na Yo.* |
| **36**<br>**السميع**<br>**ASSAMII'U** | **Nyenukwumva:** *Ni Yo Yumva ibivugirwa mw'ibanga no mu bwongoshwe, ibivugwa mw'ijwi no ku mugaragaro. Ahubwo Yumva amajwi yose ku rugero urwo ari rwo rwose. Ni na Yo Yumva Ikishura uwuyisavye.* |

| | |
|---|---|
| 37<br>البصير<br>**AL-BASWIIRU** | **Nyenukubona**: *Ukubona kw'Imana Allah gukikije ibiremwa vyose, ivyihishije n'ibiboneka, uko vyihishije canke biboneka kwose, uko bingana kwose, vyaba bito canke binini amahanga.* |
| 38<br>الشهيد<br>**ASSHAHIIDU** | **Cabonamurivyose**: *Ni Yo Mureretsi w'ibiremwa vyayo. Yariyemereye ko ari Imwe Rudende, Ihagarariye vyose mu butungane. Iremanga ukuri kw'abemeramana iyo bayisenga batayibangikanya n'ukw'Intumwa zayo n'abamalayika bayo.* |
| 39<br>الرقيب<br>**ARRAQIIBU** | **Murereretsiwavyose**: *Ni Yo Izi neza ibikorwa vy'ibiremwa vyayo, Umuzigamyi wavyo. Nta wukubita urugohe canke ngo agatima gakubite Itamubona.* |
| 40<br>الرفيق<br>**ARRAFIIQU** | **Nyenubwitonzi**: *Ni Yo Irangwa n'ubwitonzi nta ngere mu vyo Ikora. Iritonda, Ikagenda bukebuke intambwe ku yindi mu kurema no mu gufata ingingo zayo. Ingingo Ifatira abaja bayo ziba mu bwitonzi, kandi ziroroshe, ntiyigera Ibategeka amananiza. Imana Allah, Nyenubweranda, Irakunda umuja wayo arangwa n'ubwitonzi.* |
| 41<br>القريب<br>**AL-QARIIBU** | **Uwahafi**: *Imana Allah Iri hafi y'ibiremwa vyayo vyose ku bumenyi n'ubushobozi bwayo. Iri hafi y'abaja bayo bemera ku mpuhwe n'ubutabazi vyayo. N'aho bimeze uko, Imana Allah Irahangamye ku Ntebe y'Inganji yayo, aho Itari kumwe n'ibiremwa.* |
| 42<br>المجيب<br>**AL-MUJIIBU** | **Nyeninyishu**: *Ni Yo Yishura itakamba ry'abatakamvyi, n'ibisabisho vy'abasavyi hisunzwe ubumenyi n'intumbero vyayo.* |
| 43<br>المقيت<br>**AL- MUQIITU** | **Mugabuzi**: *Ni Yo Yaremye imfungurwa n'ibibeshaho ibiremwa, Iraniyemeza kuvyihera ibiremwa. Ni Yo Mubungabunzi w'izo mfungurwa n'ibikorwa vy'abaja bayo ata kigabanuka.* |
| 44<br>الحسيب<br>**AL-HASIIBU** | **Mukemuzi**: *Ni Yo Ikemurira abaja bayo bose ibibaraje ishinga mw'idini no mu vy'isi. Abemeramana Yarabageneye ikemura rinini ry'ibibaraje ishinga. Ni Yo Izobaharurira ku vyo bakoze kw'isi.* |
| 45<br>المؤمن<br>**AL-MU-UMINU** | **Nyenugutekanya**: *Iremeza Intumwa zayo n'abazikurikira mu kubabera Icabona ko bari imvugakuri, Igatanga n'ivyemezo vyerekana ukuri kwabo. Umutekano wose wo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, utangwa na Yo. Ni Yo Itekanya abayemera ko Itazokwigera Ibarenganya canke ngo Ibahane canke ko batazokwicwa n'ubwoba ku musi w'umuhero.* |

| | |
|---|---|
| **46**<br>**المنان**<br>**AL-MANNAANU** | **Nyenimpanonyinshi**: *Ni Yo Itanga ku bwinshi impano n'inema. Ikorera ivyiza vyinshi ibiremwa vyayo.* |
| **47**<br>**الطيب**<br>**AT-TWAYYIBU** | **Nyenubutore**: *Ni Yo Irangwa n'isuku nta ngere. Ntigira agatosi canke akanenge. Nyenubwiza, Iratunganye muri vyose. Ivyiza vyayo ku biremwa ni vyinshi. Ntiyakira mu bikorwa n'imperezwa kiretse ivyiza birekuwe kandi bitangwa ku kurondera indishi ku bwayo.* |
| **48**<br>**الشافي**<br>**ASH-SHAAFII** | **Nyenugukiza**: *Ni Yo Ikiza indwara z'imitima n'imibiri. Abantu nta muti bashoboye kumenya kiretse uwo bashobojwe n'Imana Allah. Nayo ugukiza vy'ukuri, biri mu minwe yayo Yonyene.* |
| **49**<br>**الحفيظ**<br>**AL-HAFIIDHWU** | **Mubungabunzi**: *Ni Yo Ibungabunga Ikanakingira abaja bayo bemera, n'ibikorwa vyabo ku butore bwayo. Iracungera Ikanabungabunga ibiremwa vyayo vyose ku bushobozi bwayo.* |
| **50**<br>**الوكيل**<br>**AL-WAKIILU** | **Muhagarikizi-Rutunga**: *Ni Yo Ihagarikiye ibiremwa vyose, Ibihagarikiye mu kubirema no mu kubitunga. Ni Yo rero Ibihagarikiye mu kurema no kubibeshaho. Ni Yo kandi Ihagarikiye abayemera, bo bayitura bakayiragiza ivyabo imbere y'ukubijamwo, bakayisaba imfashanyo igihe co kurondera icorirenza, bakanayishimagiza bayishimira bahejeje gushika ku vyo bashaka, bakanashimishwa n'ikibashikiye inyuma y'ibigeragezo.* |
| **51**<br>**الخلاق**<br>**AL-KHALLAAQU** | **Nyenukurema**: *Iri zina ryerekana ubwinshi bw'ivyo Imana Allah Irema. Iyo Mana Nyenubweranda, ni Yo Ibandanya kurema kandi ntiyigeze Ireka kurema.* |
| **52**<br>**الخالق**<br>**AL-KHAALIQU** | **Ruremа**: *Ni Yo Yaremye ibiremwa vyose ata co Irinze kurabirako.* |
| **53**<br>**البارئ**<br>**AL-BAARI-U** | **Nyenugutunganya**: *Ni Yo Yaremye ibiremwa nk'uko Yabitegekanije, Iraheza Irabigaragaza kw'isi.* |
| **54**<br>**المصور**<br>**AL-MUSWAWWIRU** | **Rutunganyandemo**: *Ni Yo Yaremye ibiremwa vyayo mw'ishusho Yihitiyemwo hisunzwe intumbero, ubumenyi n'impuhwe zayo.* |
| **55**<br>**الرب**<br>**ARRABBU** | **Murezi**: *Ni Yo Irera ibiremwa vyayo ku nema zayo, Ikabikuza bukebuke. Ni na Yo Irera abatoni bayo ku bitunganya imitima yabo. Ni Yo Rurema, Mwami, Kizigenza.* |

| | |
|---|---|
| **56**<br>**العظيم**<br>**AL'ADHWIIMU** | **Nyenicubahirogisumbavyose**: *Ni Yo Ikwiye icubahiro nta ngere mu bugingo, amazina n'amatazirano yayo. Ni co gituma ibiremwa vyose bitegerezwa kuyiha icubahiro kiyibereye, bigatako bikubahiriza amabwirizwa yayo ku vyo Itegeka canke Ibuza.* |
| **57**<br>**القاهر**<br>**AL-QAAHIRU** | **Nyeninkomezi**: *Ni Yo Isuzuguza abaja bayo, Ikabakoresha ivyo Ishaka. Ni Yo Nyenintsinzi, abantu bakwiye kwicisha bugufi kuri Yo.* |
| **58**<br>**القهار**<br>**AL-QAHHAARU** | **Nyeninkomezi-ntangere**. |
| **59**<br>**المهيمن**<br>**AL-MUHAYMINU** | **Uwiganje**: *Ni Yo Ihagarikiye ikintu cose, Mubungabunzi waco, Icabona caco, Igikikuje mu bumenyi bwayo.* |
| **60**<br>**العزيز**<br>**AL'AZIIZU** | **Nyenintsinzi**: *Ni Yo Irangwa n'ibintu vyose vyerekana intsinzi nyayo. Intsinzi iturutse ku nguvu, nta wuyitsinda, intsinzi ishingiye ku kwikenura. Ntikeneye kwitura n'umwe mu biremwa, n'intsinzi ijanye n'inkomezi no kuganza, nta na kimwe gishobora gucaruka kiretse ku burenganzira bwayo.* |
| **61**<br>**الجبار**<br>**AL-JABBAARU** | **Ntahangarwa**: *Ni Yo Ifise ubushake bushika ku co Ishatse. Ibiremwa vyose biganzwa na Yo, biri musi y'ubudahangarwa bwayo, bikurikira ingingo zayo. Ni Yo Iremesha uwacitse intege, Igakenura umukene, Ikorohereza uwarengewe, Igakiza umurwayi n'uwahuye n'ikiza.* |
| **62**<br>**المتكبر**<br>**AL-MUTAKABBIRU** | **Nyenukwishima**: *Ni Yo Nyenicubahiro gisumba vyose. Ntirangwa n'ububi canke akanenge. Irarengeye kurenganya ibiremwa vyayo, Nyeninkomezi mu guhwamika abacinyiza ibiremwa vyayo. Ni Yo Ikwiye kwishima. Uwigereranya na Yo mu bwishime, Iramucinya Ikanamuhana.* |
| **63**<br>**الكبير**<br>**AL-KABIIRU** | **Nyenubukuru**: *Ni Yo Irangwa n'ubukuru mu kuntu Iteye, mu matazirano n'ibikorwa vyayo. Nta kintu na kimwe kiza kiyisumba mu cubahiro. Ahubwo ikintu cose kitari Yo, ni gito cane mu cubahiro imbere y'icubahiro n'ubukuru bwayo.* |
| **64**<br>**الحيي**<br>**AL-HAYIYYU** | **Munyesoni**: *Ni Yo Irangwa n'isoni zikwiranye n'icubahiro n'ubwami bwayo. Isoni z'Imana Allah, ni isoni z'ubugwaneza n'icubahiro cayo.* |

| | |
|---|---|
| **65**<br>**الحي**<br>**AL-HAYYU** | **Nyenubugingobudashira**: *Ni Yo Ifise ubuzima bukwiye kandi bwamaho. Ukwamaho kwayo ntikugira intango canke iherezo. Ubuzima bwose bw'ibiri ku biremwa buturuka kuri Yo.* |
| **66**<br>**القيوم**<br>**AL-QAYYUUMU** | **Muhagarikizi yikwije muri vyose**: *Irahangamye ku bwayo Yonyene. Irikenuye nta co Ikeneye ku biremwa vyayo. Ni na Yo Muhagarikizi w'ibiri mw'ijuru no kw'isi, vyose birayikeneye mu kubaho kwavyo.* |
| **67**<br>**الوارث**<br>**AL-WAARITHU** | **Nyamuragwa**: *Ni Yo Izosigara Ihangamye inyuma yo guhonya ibiremwa vyose. Ibintu vyose bizosubira kuri Yo bene vyo bamaze guhona. Ivyo dufise vyose ni imbitso, umusi uri izina bizosubira ku Mana Allah Nyeniteka.* |
| **68**<br>**الديان**<br>**ADDAYYAANU** | **Nyenindishi ku kintu cose**: *Ni kuri Yo ibiremwa vyose vyicisha bugufi bikayumvira, ni na Yo Itanga indishi ku vyakozwe n'ibiremwa. Ku bakoze ivyiza, Izobagwiriza indishi nziza. Ku bacumuye, Izobahana canke Ibaharire.* |
| **69**<br>**الملك**<br>**AL- MALIKU** | **Mwami**: *Ni Yo Nyeningingo. Irategeka Ikaganza. Ni Yo Ikora ivyo Ishaka ku biremwa vyayo. Nta n'umwe afise ico yokwiratira mu gutsimbatara no kubungabunga ubwami bwayo.* |
| **70**<br>**المالك**<br>**AL-MAALIKU** | **Nyeninganji (Nyenubwami)**: *Ni Yo Nkomoko y'ubwami ni na Yo Ibukwiye vy'ukuri, ni Nyenubwami. Igihe Yatangura kurema nta n'umwe yari ahari kiretse Yo Yonyene. Ni na Yo Nyenubwami impera n'imperuka igihe ibiremwa vyose vyahonye.* |
| **71**<br>**المليك**<br>**AL-MALIIKU** | **Mwamiwabami**: Iri zina ryerekana ubwami nya bwami butagira imbibe. |
| **72**<br>**السبوح**<br>**ASSUBBUUHU** | **Nyenubweranda**: *Ni Yo Izira akanenge n'agatosi mu ko Iteye, kuko ni Yo Irangwa n'amateka n'ubwiza bwose butagabanije.* |
| **73**<br>**القدوس**<br>**AL-QUDDUUSU** | **Nyenubutagatifu**: *Ni Yo Izira agahonzi n'agatosi mu buryo ubwo ari bwo bwose, kuko ni Yo Yonyene Yisangije amateka yose yikwije, ntigereranywa n'ikintu na kimwe.* |
| **74**<br>**السلام**<br>**ASSALAAMU** | **Semahoro**: *Ni Yo Izira agatosi n'agahonzi uko kari kwose ku kuntu Iteye, mu matazirano n'amazina yayo, no mu bikorwa vyayo. Amahoro asasagaye mu buzima bwo kw'isi yose no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, yose akomoka kuri Yo.* |

| | |
|---|---|
| **75**<br>**الحق**<br>**AL-HAQQU** | **Nyakuri**: *Ni Yo ukubaho kwayo kutagiramwo amakenga canke amazinda, eka nta n'amakenga canke amazinda ari mu mazina n'amatazirano yayo, kibure mu bumana bwayo. Ni Yo Mana Isengwa vy'ukuri n'ibiremwa, kandi nta n'umwe akwiye vy'ukuri gusengwa kiretse Yo gusa.* |
| **76**<br>**المبين**<br>**AL-MUBIINU** | **Nyenugutomora**: *Ni Yo Itomoye mu bwigenge bwayo, mu gushikira ukuri mu mvugo n'ingiro no mu mpuhwe zayo. Ni na Yo Itomorera abaja bayo inzira zigororotse kugira bazikurikire, hamwe n'inzira zizimiza kugira baziyubare.* |
| **77**<br>**القوي**<br>**AL-QAWIYYU** | **Nyeninguvu**: *Ni Yo Irangwa n'inguvu zitagira urugero n'ubushake bukwiye.* |
| **78**<br>**المتين**<br>**AL-MATIINU** | **Mutananirwa**: *Ni Yo Irangwa n'inguvu n'ubushobozi nta ngere. Kandi mu vyo Ikora ntinanirwa, ntiyihata ntinaruha.* |
| **79**<br>**القادر**<br>**AL- QAADIRU** | **Nyenubushobozi**: *Ni Yo Ishoboye ikintu ico ari co cose. Nta na kimwe kiyinanira ng'aha kw'isi kibure mw'ijuru. Ni na Yo Yagenye ikintu ico ari co cose.* |
| **80**<br>**القدير**<br>**AL-QADIIRU** | **Mushoboravyose**: *Iri zina rifise insiguro imwe na "AL-QAADIRU" (Nyenubushobozi) kiretse ko "AL-QADIIRU" rifise insiguro irengeye mu guhayagiza cane Imana Allah ku bushobozi bwayo.* |
| **81**<br>**المقتدر**<br>**AL-MUQTADIRU** | **Rushobozi**: *Ni izina ry'Imana Allah ryerekana ubushobozi bwayo buhanitse, mu gushira mu ngiro ivyagezwe no kubirema hisunzwe ubumenyi bwayo bw'imbere yuko Irema.* |
| **82**<br>**العلي**<br>**AL'ALIYYU** | **Nyenicubahiro-ntangere:** *Ni Yo Iri hejuru ya vyose mu cubahiro, mu budahangarwa no mu mateka ayigenga. Ibintu vyose biri musi y'ubudahangarwa n'ubutegetsi bwayo. Vyongeye nta na kimwe kizokwigera kija hejuru yayo.* |
| **83**<br>**الأعلى**<br>**AL-A'LAA** | |
| **84**<br>**المتعالي**<br>**AL-MUTA'AALI** | **Nyenukwiganza**: *Ni Yo ibintu vyose vyicisha bugufi imbere yayo kubera icubahiro cayo. Nta na kimwe gishobora kuja hejuru yayo. Ahubwo ibintu vyose biri musi yayo, no musi y'ubudahangarwa n'ubutegetsi bwayo.* |

| | |
|---|---|
| **85**<br>المقدم<br>AL-MUQADDIMU | **Nyenugushirimbere**: *Ni Yo Ishira ibintu vyose aho bikwiye ku bushake bwayo, no ku ntumbero Ishaka. Ishira bamwe mu biremwa imbere y'ibindi hisunzwe ubumenyi n'impano vyayo.* |
| **86**<br>المؤخر<br>AL-MU-AKKHIRU | **Nyenugutenyenya**: *Ni Yo Ishira ikintu cose mu kibanza caco kikibereye, Igashira inyuma ico Ishaka mu ntumbero Ishatse. Iranatenyenya guhana abaja bayo kugira bashobore kwigaya, bagaruke kuri Yo.* |
| **87**<br>المسعر<br>AL-MUSA'IRU | **Mugenabiciro**: *Ni Yo Yongera agaciro k'ibintu, Ikabiha ikibanza cavyo n'ingaruka zibiturutseko canke Ikagabanya nya gaciro. Gutyo ibintu bikazimba canke bikazimbuka igiciro, vyisunze intumbero n'ubumenyi bwayo.* |
| **88**<br>القابض<br>AL – QAABIDWU | **Nyenukugumya**: *Ni Yo Igumya imitima hageze guhwera, Ikagumya ibibeshaho ibiremwa ntibishikire uwo Ishaka mu biremwa vyayo, hisunzwe intumbero n'ubushobozi bwayo.* |
| **89**<br>الباسط<br>AL – BAASITWU | **Nyenukurekura**: *Ni Yo Irekura mu gutanga ibibeshaho abaja bayo ku bugiraneza n'impuhwe vyayo. Gutyo Ikabagerageza mu vyo Ibahaye canke Ibimye hisunzwe intumbero yayo. Iranarekura amaboko yayo mu guharira umunyavyaha.* |
| **90**<br>الأول<br>AL – AWWALU | **Uwintango**: *Ni Yo Yamyeho hataraba ikintu na kimwe. Ahubwo ibiremwa vyose vyabonetse kuko ari Yo Yabiremye. Nayo Imana Allah Nyenubweranda, ukubaho kwayo ntikugira itanguriro.* |
| **91**<br>الآخر<br>AL – AAKHIRU | **Uhoraho-Wiherezo**: *Ni Yo ata kintu na kimwe kizoyiherukira. Ni Yo Izokwamaho. Ikintu cose kiri kw'isi kizohona gisubire ku Mana Allah. Vyongeye Imana Allah Nyenicubahiro, ukubaho kwayo ntikugira iherezo.* |
| **92**<br>الظاهر<br>ADDHWAAHIRU | **Rwigaragaza**: *Ni Yo Iri hejuru y'ikintu ico ari co cose. Nta kiri hejuru yayo. Ni na Yo Iganza Ikanahetura ikintu ico ari co cose.* |
| **93**<br>الباطن<br>AL – BAATWINU | **Rwihisha**: *Nta na kimwe cihisha Imana Allah. Iri hafi y'ibiremwa, Iranabihetuye. Ntibonwa n'amaso y'ibiremwa ng'aha kw'isi.* |
| **94**<br>الوتر<br>AL-WITRU | **Nyahagwe**: *Ni Yo Mana Imwe Rudende Itabangikanywa, kandi ni Ikinege ntishushanywa n'ikintu na kimwe.* |

| | |
|---|---|
| **95**<br>**السيد**<br>**ASSAYYIDU** | **Kizigenza**: *Ni Yo Nyeniteka n'icubahiro nta ngere ku biremwa. Ni na Yo Mugabe n'Umurezi wavyo. Ibintu vyose ni ibiremwa vyayo n'abaja bayo.* |
| **96**<br>**الصمد**<br>**ASSWAMADU** | **Nyenugutumberwa**: *Ni Yo Kizigenza Yikwije mu kuganza kwayo. Ni na Yo ibiremwa bitumbera mu gusaba ikemurwa ry'ingorane zavyo zose, kuko vyama biyikeneye cane. Ni na Yo kandi Ibifungurira, eka Yo ntifungurirwa.* |
| **97**<br>**الواحد**<br>**AL-WAAHIDU**<br>**98**<br>**الأحد**<br>**AL-AHADU** | **Nyarudende**: *Ni Yo Mana Rudende mu biyiranga vyose, Irikwije, ntibangikanywa. Nta giteye nkayo. Ivyo bigatuma ari Yo gusa Ikwiye kwiyegerezwa mu kuyisenga ari Imwe Rudende Itabangikanywa.* |
| **99**<br>**الإله**<br>**AL-ILAAHU** | **Nyenugusengwa**: *Ni Yo Isengwa vy'ukuri, Ikwiye kwiyegerezwa mu kuyisenga Yonyene ata kindi.* |